IJAMBO RISHIKIRIJWE N'UMUKURU W'UMURWI CENI KU GIKORWA CO GUSHIRA AHABONA INTONDE MFATAKIBANZA Z'ABAZITABA AMATORA Y'UMWAKA WA 2025

BUJUMBURA, ku wa 7 Ruhuhuma 2025

Bubahwa bakomiseri dufashanya mu kurongora Umugwi CENI ;

Bubahwa mwaserukiye ibimenyeshamakuru ;

Bubahwa murangurira imirimo yanyu mu mugwi CENI ;

Tugire amahoro ;

Tugire amahoro ;

Tugire amahoro n'amatora meza mu gihugu cacu ciza c'Uburundi

1. Imbere ya vyose, nagira munkundire mbanze gukengurukira Imana Mushobora vyose yadushikanye kuri uno musi no muri kino kibanza turi bazima. Nininahazwe ibihe vyose na hose.

2. Bubahwa mwese mukoraniye muri kino kibanza, nk'uko muvyibuka, kuva kw'igenekerezo rya 22 gushika ku rya 31 Gitugutu, umwaka w'2024, umugwi CENI waratunganije igikorwa c'iyandikwa ry'Abarundi bakwije ibisabwa n'amategeko kugira ngo bazokwitabe amatora ategekanijwe muri uno mwaka w'2025. Ico gikorwa cabereye mu bibanza 4.246 biri ku mitumba n'amakaritiye agize igihugu c'Uburundi no hanze y'igihugu mu buserukizi bw'Uburundi mu makungu hamwe no mu basirikare bari mu butumwa bwo kugarukana amahoro n'umutekano mu bihugu vya Somaliya na République Centrafricaine.

3. Umugwi CENI uboneyeho akaryo keza ko gukeza Abarundi ingene bitavye ico gikorwa c'iteka. Urakengurukiye kandi abakozi bakoze ico gikorwa ku mwete, urupfasoni n'ubwitonzi baranguranye uyo murimo igihugu cari cabashinze. Turakengurukiye kandi indorerezi zari zasavye kandi zikaronswa impusha zo gukurikirana ico gikorwa bakabikora mu bwitonzi no mu bwigenge ntangere. Turabakengurukiye cane na mwebwe bamenyeshamakuru ukuntu mwitanze kugira ngo ico gikorwa kigende neza.

Bashingantahe

Bapfasoni

4. Kuva kw'igenekerezo rya 3 kigarama 2024 gushika kw'igenekerezo rya 31 Kigarama 2024, harabaye ukwandika mu buryo bwa none ivyatororokanijwe biranga abazotora bose bakwije ibisabwa n'amategeko (saisie informatique).

5. Kuri uno musi rero, twabahamagaye kugira ngo tubamenyeshe ibijanye n'imanikwa n'isuzumwa ry'intonde mfatakibanza z'abazokwitaba amatora y'umwaka wa 2025.

6. Intonde mfatakibanza z'abazokwitaba amatora zizomanikwa mu bibanza vyabereyemwo iyandikwa ry'abazotora mu matora ya 2025, ari na vyo biheza bikitwa ibibanza vyo kumanikwa mwo intonde.

7. Abarundi biyandikishije ngo bazotore ni bo bazosuzuma izo ntonde. Ibirego bishoboka bizotororokanirizwa aho nyene vyongere vyigwe. Ivyo birego bifatiye cane cane ku kuraba ku ntonde ko ata we basimvye, gukosora ivyanditse ukutari kwo, guhinduza aho umuntu aba yariyandikishirije canke gukura ku rutonde abiyandikishije batabifitiye uburenganzira canke abitavye inama.

8. Ikiringo c'imanikwa ry'izo ntonde mfatakibanza z'abazitaba amatora ya 2025 gitegekankijwe kuva kw'igenekerezo rya cumi kugeza kurya cumi na kabiri Ruhuhuma 2025 (10/2/2025-12/2/2025). Itororokanywa ry'utunenge tuzoba twibonekeje

rizoba muri ico kiringo nyene guhera isa imwe n'igice y'agatondo kugeza isaha cumi n'imwe n'igice z'umuhingamo, (7h30-17h30).

Bashingantahe

Bapfasoni

9. Mu kibanza kimwe kimwe cose cabereyemwo iyandikwa ry'abazotora, harategekanijwe abakozi babiri bakurikirana iryo manikwa ry'intonde bashirwaho n'umugwi ujejwe gutunganya amatora ku rwego rwa Komine CECI, abo na bo bagatorwa mu bakoze neza mu banditse abazotora hamwe n'abakurikiranira hafi ico gikorwa ku gwego rwa komine (agents recenseurs et agents encadreurs mu gifaransa). Abo banditsi ni na bo bazokwegeranya utunenge tuzoba twibonekeje kuri izo ntonde mfatakibanza bafashijwe n'abagize umurwi ujejwe amatora mw'ikomine CECI hamwe n'umuhetsi w'ikomine mu murwi ujejwe gutunganya amatora ku rwego rw'intara CEPI.
10. Mu kibanza cose kizomanikwako izo ntonde mfatakibanza, hazoba hariho intonde zibiri(2) :

- Urutundo mfatakibanza rwa mbere ruzoba ruri kugipapuro kinini A3, rwerekana imyidondoro yose y'abiyandikishije ngo bazotore;
- Urutonde rugira kabiri ni urutonde rusa n'urwo rwa mbere mugabo ruzoba ruri ku rupapuro rusanzwe bita A4 mu gifaransa, rukazofasha abo bakozi bazoba bashizweho n'umurwi CECI mu

gutororokanya utunenge tuzoba twashikirijwe no kutwandika mu bikoresho vyabigenewe.

11. Izo ntonde mfatakibanza z'amazina y'abazotora uko ari zibiri, zitondekwa hakurikijwe urukurikirane rw'indome, bimwe bita alphabet, kandi zibwirizwa kuba ziriko inomero kugira abenegihugu ntibazojuragirike mu gusuzuma imyidondoro yabo.

Bashingantahe

Bapfasoni

12. Ibikoresho bizokoreshwa mukwegeranya utunenge tuzokwibonekeza mu ntonde mfatakibanza kuri buri kibanza cose ni ibi bikurikira :

- Ifishi z'abasimbwe batibonye ku ntonde (fiche pour ommission
- Ifishi zabo imyidondoro yabo irimwo amakosa (fiche de correction) ;
- Ifishi z'abasabira abandi gukurwa ku ntonde kubera babakekako badakwije ibisabwa n'amategeko (fiche pour radiaton);
- Ifishi z'ababona ko iryo kurwa ku ntonde ry'aba canke bariya ribarenganya (fiche d'opposition contre un recours en radiation) ;
- Ifishi z'abasaba guhindurirwa ibibanza bazotoreramwo (fiche pour transfer);

- Ifishi zerekana ibiharuro vy'ivyegeranijwe ku musi (fiche pour statistique) ;

Bashingantahe

Bapfasoni

13. Inyuma y'igikorwa co kumanika intonde mfatakibanza n'ukwegeranya utunenge twibonekeje kuri izo ntonde, hazoca haba ibikorwa bikurikira:
    - Guharura ibirego vyatororokanijwe hakoreshejwe ifishi FS yo gutororokanya ibiharuro vy'ivyegeranijwe ku musi ku musi;
    - Gushikiriza umurwi CECI impapuro zose z'akazi bahawe, ziriko n'umukono w'umukozi wa CECI, kugira berekane neza ko uwaranguye ico gikorwa ataco aheranye.
14. Ifishi ndangatunenge zitegerezwa gutondekwa hisunzwe ko ari zimwe, ibibanza vy'iyandikwa n'ikomine zavuyemwo. Bizoca vyegeranirizwa mu kigo kijejwe iyandikwa CTD kugira bikosorwe.
15. Ikosorwa riheze, hazoca hasohorwa intoned ntabanduka z'abazotora n'ibiro bazotoreramwo hamwe n'ikarata y'uwutorora.
16. Abipfuza gukurikirana igikorwa c'imanikwa n'isuzumwa ry'intonde mfatakibanza z'abazokwitaba amatora y'umwaka wa 2025 ku gwego rw'igihugu n'urw'intara barahawe ikaze. Kuwa kw'igenekerezo rya 3 Ruhuhuma 2025, abipfunza kuzokurikirana ico gikorwa nk'indorerezi canke nk'inderetsi baratanguye kuronswa impusha.

17. Nkaba ndangije nongera kubakengurukira ukuntu mwama mutugamburukira igihe cose tuba tubateye akamo. Ivyo bikagaragaza umwitwarariko dufise mu bijanye n'ibikorwa bizodushikana ku matora meza, na cane cane kuri ya mbona kazoza, Uburundi bwifashe muri 2040, Uburundi buteye imbere muri 2060.

MURAKOZE, IMANA IBAHEZAGIRE

Bigiriwe i Bujumbura

Ku wa 07/02/2025

Prosper NTAHORWAMIYE

Umukuru w'umurwi CENI